REPUBLIQUE DU BURUNDI

CABINET DU PRESIDENT

PROJET DE LOI PORTANT RÉVISION DE LA LOI N° 1/17 DU 25 SEPTEMBRE 2007 PORTANT ORGANISATION DU SYSTÈME STATISTIQUE AU BURUNDI

I. EXPOSE DES MOTIFS

Après ratification de la Charte Africaine de la Statistique par le Burundi, le 17 mai 2014 (loi n°1/19 du 17 mai 2014 portant ratification par la République du Burundi de la Charte Africaine de la Statistique) et la promulgation de la nouvelle Constitution du Burundi, il est indispensable de procéder à la révision de la loi n°1/17 du 25 septembre 2007 portant Organisation du Système Statistique au Burundi en vue de pallier à certaines insuffisances et corriger certaines lacunes pour la rendre plus conforme à la législation internationale, et plus particulièrement aux prescrits de la Charte Africaine de la Statistique adoptée en date du 3 février 2009, à Addis-Abeba, lors de la 12ème conférence ordinaire des Chefs d'Etat et de Gouvernements des pays africains.

La nouvelle loi portant organisation du Système Statistique National au Burundi est donc une révision en profondeur de l'ancienne loi. Elle vient prendre en compte, en premier temps, les principes statistiques fondamentaux qui ont été adoptés par les Pays africains à la huitième session de la conférence des planificateurs, statisticiens et démographes africains qui s'est tenue à Addis-Abeba en mars 1994. En deuxième temps, elle vient prendre en compte les six grands principes tels que fixés par la Charte africaine de la statistique que le Burundi a ratifiée à travers la loi n°1/19 du 17 mai 2014.

REPUBURIKA Y'UBURUNDI

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

INTEGURO Y'IBWIRIZWA INOMERO ..../...RYO KU WA .../...2020 RITUNGANYA GUSHASHA URWEGO RUHURIKIYEMWO IBISATA BIJEJWE GUTOROROKANYA IBIHARURO BIFATIRWAKO MU BURUNDI

I. INSOBANURO

Inyuma y'aho Uburundi bwemeje amasezerano ya Afirika yerekeye ugutororokanya ibiharuro bifatirwako, kw'igenekerezo rya 17 Rusama 2014 (Ibwirizwa inomero 1/19 ryo ku wa 17 Rusama 2014 ryerekeye iyemezwa na Repuburika y'Uburundi ry'Amasezerano ya Afirika yerekeye ugutororokanya ibiharuro bifatirwako) no gutangaza Ibwirizwa Shingiro rishasha ry'Uburundi , ni ngombwa gusubiramwo ibwirizwa inomero 1/17 ryo kuwa 25 Nyakanga 2007 ryerekeye integuro ry'urwego ruhurikiyemwo ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako mu Burundi muntumbero yo gukemura ibihaze no gukosora ibitagenda neza bimwe bimwe hakurikijwe amategeko mpuzamakungu, na cane cane bimwe bitegekanijwe mu masezerano ya Afrika y'itororokanywa ry'ibiharuro bifatirwako ryemejwe kw'igenekerezo rya 3 Ruhuhuma 2009 , i Addis-Abeba, mu nama isanzwe igira 12 y'abarongoye Ibihugu n'intwaro muri Afrika.

Ibwirizwa rishasha ryerekeye ugutunganya urwego ruhurikiyemwo ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako mu gihugu c'Uburundi ni ihindurwa risesanguye ry'ibwirizwa rya kera. Rije ubwa mbere gushira mu ngiro, ingingo ry'itororokanya ry'ibiharuro ngenderwako ryemejwe n'ibihugu vyo muri Afrika mu nama igira umunani y'abategura imigambi, abajejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako n'abajejwe gutorokanya ibiharuro vy'igwiririkana ry'abantu bifatirwako bo muri Afrika yabereye i Addis-Abeba muri Ntawarante 1994. Ubugira kabiri, rije gushira mu ngiro ingingo zitandatu zo gutororokanya ibiharuro bifatirwako nk'uko zatagekanijwe n'amasezerano ya Afrika yemejwe n'Uburundi biciye mw'ibwirizwa inumero 1/19 ryo ku wa 17 Rusama 2014.

Suivant les principes posés par cette Charte, la Statistique constitue un élément indispensable du système d'information d'une société démocratique, fournissant aux administrations publiques, au secteur économique et au public, des données concernant la situation économique, démographique, sociale et environnementale. Et pour cela, les organismes responsables de la Statistique officielle doivent établir les statistiques, selon des principes scientifiques et dans le respect des méthodes et procédures de collecte, de traitement, de stockage et de présentation des données statistiques.	Hisunzwe ingingo yashizweho n'aya masezerano, ibiharuro vyatororokanijwe bifatirwako ni kimwe mu bintu bidahara mu rwego rw'amakuru y'umuryango uhurikiye muri demokarasi, bitanga ku buyobozi bwa Reta, ku bisata vy'ubutunzi no ku banyagihugu, ibiharuro bijanye n'ubutunzi, igwirirana ry'abantu, ingene babayeho hamwe n'ibidukikije. Kandi kubwivyo, amashirahamwe ajejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako vyemewe ategerezwa gushiraho ibiharuro bifatirwako, hisunzwe ingingo z'ubushakashatsi n'ukubahiriza ubuhinga n'ibisanzwe bikurikizwa mu gutororokanya, mu kwihweza, mu kubika no kwerekana ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako.
La fiabilité des données statistiques dépend, dans une large mesure, des entreprises publiques ou privées qui produisent les données et de la collaboration avec les utilisations de ces données. C'est dans ce souci qu'on a introduit dans la loi l'obligation aux personnes physiques et morales de répondre aux questions statistiques et en contrepartie, l'affirmation du secret statistique pour protéger les personnes physiques ou morales de l'intrusion du Pouvoir Public dans la vie des personnes physiques et morales par le biais des réponses aux questions statistiques. Il s'est avéré donc nécessaire de confirmer le caractère confidentiel des données individuelles en affirmant qu'elles ne doivent être utilisées qu'à des fins statistiques uniquement.	Ubwizerwe bw'ibiharuro vyatororokanijwe bifatirwako vyisunga, ahanini, umwizero w'ibigo vya Reta canke vyigenga n'imigenderanire iri hagati yavyo n'abanyagihugu bakoresha ivyo biharuro. Ni kuriyo mvo hategekanywa mw'ibwirizwa ko abantu canke amashirahamwe ko bishura ibibazo ry'itororokanywa ry'ibiharuro bifatirwako kandi bakemeza kugumiza mw'ibanga ibiharuro vyatororokanijwe bifatirwako kugira ngo bakingire abantu canke amashirarahamwe ukwivanga mu butegetsi rusangi mu buzima bwabantu n'amashirahamwe biciye mu nyishu ku bibazo vyabajijwe. Vyabaye ngombwa rero kwemeza ibanga ry'ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako vyerekeye umuntu mu kwemeza ko bitegerezwa gukoreshwa ico vyagenewe gusa.
C'est aussi pour cette raison que la nouvelle loi a introduit des dispositions spécifiques de sanctions pénales pour ceux qui s'abstiendront de répondre aux questions statistiques et pour ceux qui se rendront coupables de violation de secret statistique.	Ninaco gituma ibwirizwa rishasha ryategekanije ingingo ziharije z'ibihano kubazokwirengangiza kwishura ibibazo vyerekeye itorokanya ry'ibiharuro bifatirwako n'abazofatwa barenze kungingo ry'ukugumiza mw'ibanga ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako.
Au niveau régional et international, il sied d'harmoniser les systèmes scientifiques de collecter des données, de leur traitement et de leur stockage pour faciliter un échange de données statistiques entre Etats. C'est dans ce sens que la loi assure aux responsables des organismes statistiques burundais la participation aux fora internationaux pour contribuer à l'amélioration des systèmes d'élaboration des statistiques officielles internes. Les activités statistiques nécessitent une coordination des activités des différents organismes de la statistique pour assurer la	Ku rweko rw'akarere n'urw'amakungu, ni ngombwa guhuza urwego ruhurikiyemwo abashakashatsi mu buhinga bwo gutororokanya ibiharuro, bwo kubitunganya n'ubwo kubibika muntumbero yo kworohereza guhanahana hagati y'ibihugu ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako. Ni muriyo ntumbero ibwirizwa rifasha abarongoye amashirahamwe y'Uburundi ajejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako kugira uruhara ku mahuriro mpuzamakungu rwo guterera ivyiyumviro mu guteza imbere urwego ruhurikiyemwo itunganywa ry'itororokanya ry'ibiharuro vyemewe iwabo. Ibikorwa bijanye n'ugutororokanya ibiharuro bisaba ukuroranya ibikorwa vy'amashirahamwe atandukanye

cohérence et l'efficacité du système statistique. C'est dans cette perspective qu'une place privilégiée de l'ISTEEBU dans le Système Statistique National a été affirmé comme coordonnateur des différents services statistiques des Ministères.	yugutororokanya ibiharuro bifatirwako kugira habeho uguhuza no gukora neza mu rwego ruhurikiyemwo ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako. Ni kuri iyo mvo·ikibanza ciharije cahawe ISTEEBU, mu rwego ruhurikiyemwo ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako, nk'umuhuzabikorwa w'ibisata bitandukanye bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako vy'Ubushikiranganji butandukanye.
Il est évident qu'un service statistique d'une si grande importance pour les décideurs de la vie de la nation ne peut fonctionner pleinement sans moyens matériels et financiers conséquents. C'est pourquoi la loi a retenu la mise en place de la redevance statistique et bien plus que la première, celle-ci est à verser au compte de l'organisme de coordination des services statistiques.	Biragaragara ko igisata kijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako c'akamaro kadasanzwe kubajejwe gufata ingingo k'ubuzima bw"igihugu ibitoshobora gukorana neza idafise ibikoresho n'uburyo butegekanijwe. Nico gituma ibwirizwa ryemeje ishirwaho ry'amafaranga ajejwe gufasha gutororokanya ibiharuro bifatirwako yisununuye gusumba ubwa mbere, bitegekanijwe ko hoshirwaho ikigega kidasanzwe kijejwe gufasha ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako.
Afin de pouvoir répondre aux besoins des services statistiques de qualité, la loi prévoit la possibilité de créer des filières de formation statistique dans des écoles et centres spécialisés pour les futurs agents des services statistiques.	Kugira ngo dushobore kwishura ibikenewe ku bisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako vy'akanovera, ibwirizwa ritegekanya ubushobozi bwo gushiraho ibisata vy'ivyigwa vyo gutororokanya ibiharuro bifatirwako mu mashure no mu bigo vyihariye ku bakozi bakazoza b'ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako.
Voici en détails les améliorations que la loi a apportées à l'ancien texte afin de se conformer davantage et de s'adapter aux principes fondamentaux de la statistique et aux prescrits de la Charte Africaine de la statistique.	Ngizi insiguro ziramvuye ry'iterambere rikomoka kw'ibwirizwa rya kera kugira ngo rirusheho kubahiriza no kugendera mu mategeko ngenderwako y'itororokanywa ry'ibiharuro bifatirwako hisunzwe masezerano ya Afrika y'itororokanywa y'ibiharuro bifatirwako.
a. A propos des définitions, l'article 2 de la loi a subi des modifications quant à la présentation et au contenu pour répondre au souci de la clarté et de la compréhension des termes employés dans la loi.	a. Kuvyerekeye insiguro, ingingo ya 2 y'ibwirizwa yarahinyanyuwe kubijanye no kwerekana ibirimwo kugira ngo haboneke inyishu isobanutse n'ugutahura amajambo akoreshwa mw'ibwirizwa.
b. L'article 3 du Chapitre I sur les principes fondamentaux, a introduit quelques principes fondamentaux de la Charte africaine des Statistiques. Mais aussi la loi a rassemblé quelques principes épars contenus dans l'ancien texte de loi pour les mettre en harmonie dans un même article de principes.	b. Ingingo 3 y'igice ca I ku bitegekanijwe rusangi, yarerekanye amategeko amwe ngenderwako y'amasezerano ya Afrika y'itororokanywa ry'ibiharuro bifatirwako. Ariko kandi ibwirizwa ryaregeranije amategeko amwe atari hamwe asanzwe ari mu mategeko ya kera yo mw'ibwirizwa mukubishira kurugero rumwe mu ngingo imwe y'amategeko.
c. Dans chapitre II, des éléments nouveaux tel que la qualité de l'information, les domaines couverts par les statistiques, l'information du Public sur les opérations de collecte de données et les objectifs de	c. Mu kigabane ca 2, ibintu bishasha, nk'akanovera k'ibiharuro vyatohojwe, ibisata vyakorewemwo itororokanya ry'ibiharuro bifatirwako, inkuru yagenewe bose kubikorwa vyo gutororokanya ibiharuro hamwe n'ihangiro ry'ibikorwa ryo

l'opération de l'activité statistique, ont été introduits.	gutororokanya ibiharuro bifatirwako, vyaratangujwe.
d. Au Chapitre III, la loi définit les composantes du Système Statistique National, établit la responsabilité des services et établissements relevant du système statistique, et définit les rapports entre les grandes composantes du Système Statistique National que sont :	d. Ku kigabane ca III, ibwirizwa risigura ibigize urwego ruhurikiyemwo ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako mu gihugu, rirashiraho uburongozi bw'ibisata n'ibigo bisanzwe bihurikiye mu bisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako, no gusigura ico bihurirako hagati y'ibigize urwego ruhurikiyemwo ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako mu gihugu bikurubikuru navyo ni ibi bikurikira :
➢ le Comité National de l'Information Statistique (CNIS),	➢ Komite y'igihugu ijejwe gutunganya ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako, (CNIS),
➢ le Comité Technique de l'Information Statistique (CTIS),	➢ Komite y'abahinga bajejwe gutunganya ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako, (CTIS) ;
➢ L'Institut de Statistiques et d'Etudes Economiques du Burundi (ISTEEBU),	➢ Ikigo kijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako n'ivyigwa vyerekeye ubutunzi mu Burundi (ISTEEBU) ;
➢ les Services chargé d'élaborer des données statistiques placés auprès des départements ministériels, des organismes publics et parapublics ;	➢ ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako vyashinzwe mu bushikiranganji butandukanye, mu mashirahamwe ya Reta no mu mashirahamwe yegamiye Reta ;
➢ les Ecoles, les institutions nationales et les centres de formation statistique ou démographique	➢ Amashure, inzego z'igihugu n'ibigo bitanga inyigisho zerekeye ibiharuro vyibitororokanywa bifatirwako canke izerekeye igwirirana ry'abantu.
Le Comité National de l'Information Statistique a pour rôle d'assister le Gouvernement dans l'organisation de l'activité statistique au sein du Système Statistique National et veille à la production et à la diffusion des statistiques officielles tandis que, le Comité Technique de l'Information Statistique est le grand conseiller du CNIS et, l'Institut de Statistiques et d'Etudes Economiques du Burundi le grand coordonnateur des services Statistiques.	Komite y'igihugu ijejwe gutunganya ibiharuro bifatirwako ifise uruhara rw'ugufasha intwaro mu gutunganya ibikorwa bijanye n'ugutororokanya ibiharuro mu rwego ruhurikiyemwo ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako, mu guhagarikira igikorwa co gusohora no kumenyesha ibiharuro bitororokanijwe vyemejwe mu gihe komite y'abahinga bajejwe inkuru zerekeye ibiharuro vy'ibitororokanywa bifatirwako ari umujenama mukuru wa Komite y'igihugu ijejwe gutanga amakuru y'ibiharuro bitororokanijwe bifatirwako bijanye n'ubuzima bw'igihugu, ikigo kijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako n'ivyigwa vyerekeye ubutunzi mu Burundi naco nk'umuhuzabikorwa mukuru mu bisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako.
L'ISTEEBU a été mieux défini au regard de la loi cadre des entreprises publiques (article 13), ses attributions de coordonnateur des services des statistiques sont mieux affirmées (l'article 14) et ses missions ont été mieux définies (article 14).	Uruhara rwa ISTEEBU rwarasobanuwe neza hisunzwe itegeko rigenga ibigo vya Reta (ingingo ya 13), ububasha bwayo bw'umuhuzabikorwa mu bisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako

	burashimangirwa (ingingo ya 14) kandi ubutumwa bwayo bwarasobanuwe neza (ingingo ya 14).
Il s'est avéré nécessaire qu'il faille définir ce que l'on entend par 'autres composantes du Système Statistique National'. Ce terme ressortait de l'ancien texte de loi mais avait un concept non saisissable et c'est ainsi que la nouvelle loi l'a remplacé par le terme « Services chargé d'élaborer des données statistiques placés auprès des départements ministériels, des organismes publics et parapublics », une notion plus claire, plus compréhensible et sans équivoque.	Vyabaye ngombwa gusobanura ico bivuga « ibindi bice bigize urwego ruhurikiyemwo ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako ». Iri jambo ryavuye mw'itegeko ry'ibwirizwa rya kera ariko ridatahuritse gutyo itegeko rishasha ryarisubirije n'ijambo « ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako vyashinzwe mu bushikiranganji butandukanye, mu mashirahamwe ya Reta no mu mashirahamwe yegamiye Reta », iciyumviro gisobanuye neza, cumvikana neza kandi atagucudikanya.
Un 4ème chapitre consacré à l'organisation de la production des statistiques officielles a été introduit dans le projet de la nouvelle loi en vue de se conformer au modèle de la loi statistique tel qu'il ressort de la Charte de l'Union Africaine.	Mu kigabane ca 4 ciharije integuro y'itororokanywa ibiharuro bifatirwako vyemewe caratangujwe mu mugambi w'ibwirizwa rishasha muntumbero yo gukurikiza akarorero k'ibwirizwa ryo gutororokanya ibiharuro bifatirwako nkuko biri mu masezerano y'Ubumwe bwa Afrika.
La nouvelle loi introduit également un 5ème Chapitre portant sur la protection des données individuelles dans lequel le secret statistique a été mieux réaffirmé et la loi a introduit la prestation du serment pour les nouveaux cadres des services statistiques. Cela donne plus de sens de responsabilité dans la protection des personnes physiques et morales, mais en donnant une ouverture aux chercheurs pour avoir accès aux données protégées sous le contrôle de l'ISTEEBU. Il prévoit aussi des sanctions aux contrevenants du secret statistique.	Ibwirizwa rishasha rishiraho kandi ikigabane 5 cerekeye gukingira ibiharuro vyatohojwe kuri umwe umwe wese ryarasubiye kwemeza neza ukugumiza mw'ibanga ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako hamwe n'ibwirizwa ryatanguje kurahira ku bakozi bashasha b'ibisata bijejwe gutorokanya ibiharuro bifatirwako. Ivyo bitanga insiguro ikomeye kubuyobozi mu gukingira abantu n'amashirahamwe, mugabo mugutanga inzira ku bashakashatsi kugira baronke uburenganzira ku biharuro bikingiwe bigenzuwe n'ikigo kijejwe gutorokanya ibiharuro ku buzima kw'igihugu bifatirwako, ISTEEBU. Ritegekanya kandi ibihano kubazorenga kw'itegeko ryo kugumiza mw'ibanga ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako.
Au chapitre VI, la loi est mieux restructurée et il a été introduit le caractère obligatoire des personnes physiques et morales à répondre avec exactitude aux questionnaires de recensements statistiques qui leur sont posés et aux administrations publiques ou privées l'obligation de mettre à la disposition des organismes responsables des statistiques, les fiches administratives intéressant les statistiques et cela sous peine de sanctions pénales.	Ku kigabane ca VI, ibwirizwa ryarahinyanyuwe neza kandi harategekanijwe inyifato ngenderwako y'abantu n'amashirahamwe mukwishura neza kubibazo bazoba babajijwe vy'insansumo y'ibiharuro vyatororokanijwe bifatirwako no kubarongozi bo muri Reta no mu bigenga itegeko ryo gushira ahabona amashirahamwe ajejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako, amadosiye y'ubuyobozi ajanye n'itororokanywa ry'ibiharuro bifatirwako kandi ibi bihanishwa n'ibihano mpana vyaha.
Le chapitre VII insiste sur la gestion de la qualité des données produites au sein du Système Statistique National notamment par	Ikigabane ca VII gishimangira ku guhinyanyura neza ibiharuro vyatororokanijwe mu rwego ruhurikiyemwo

l'engagement pour cette dernière et une collaboration avec les utilisateurs et les fournisseurs de données pour son évaluation.	ibisata bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako mu gihugu cane cane biciye mu kwiyemeza no gukorana neza n'abakoresha n'abatanga ibiharuro kugirango isuzumwe.
Le chapitre VIII évoque la nécessité de coopérer avec les autres institutions statistiques ainsi que les organismes sous régionaux, régionaux et internationaux en matière statistique et sur le partage des informations.	Ikigabane ca VIII cerekana ko ari ngombwa gufatanya n'ibindi bigo bijejwe gutororokanya ibiharuro bifatirwako n'ayandi mashirahamwe yo mu akarere, yo mu mugabane ndetse n'amahanga mu bijanye n'ibiharuro bifatirwako no kubihanahana.
Le chapitre IX montre les sources de financement des activités statistique	Ikigabane ca IX cerekana aho uburyo bukoreshwa mu gutororokanya ibiharuro bifatirwako bushobora kuva.
Le chapitre X a énoncé les dispositions pénales de façon plus claire et plus concise que l'ancien texte.	Ikigabane ca X ca menyesheje ibihano mu buryo bwumvikana kandi bwumvikana kurusha inyandiko ya kera.
Voilà les grandes innovations que la nouvelle loi est sensée avoir apporté à l'ancien texte de loi c'est-à-dire une meilleure restructuration, une meilleure compréhension et une meilleure réponse au souci d'harmoniser, d'adapter et de rendre notre législation en matière statistique conforme aux principes définis par différents instruments régionaux et internationaux auxquels le Burundi a adhéré, et ce, pour une meilleure coopération dans le domaine des statistiques.	Ng'ibi ibishasha bikurubikuru biboneka ko vyazanywe n'ibwirizwa rishasha mubigize ibwirizwa rya kera nukuvuga impinyanyuro nziza, gusobanukirwa kwiza n'inyishu nziza mu ntumbero yo gukurikiza, kumenyera no gushira amategeko yacu mu biharuro vy'ivyatororokanijwe bifatirwako mukubahiriza amategeko asiguwe n'ibikoresho bitandukanye vyo mu karere no mu makungu aho Uburundi bwinjiye, kandi ivyo hari ukugira habeho imigenderanire myiza mu bisata vy'ibiharuro bitororokanijwe bifatirwako.